# Mu vy'ukuri, Imana Allah Yavuze Iti: "Umuntu uwo ari we wese azobangamira umutoni wanje, ni ukuri naramaze kumusezeranira indwano, burya nta muja wanje anyiyegereza mu gukora ivyo Nkunda kurusha, vyoza bisumba kunyiyegereza mu gukora ivyo Namubwirije

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yavuze Iti: "Umuntu uwo ari we wese azobangamira umutoni wanje, ni ukuri naramaze kumusezeranira indwano, burya nta muja wanje anyiyegereza mu gukora ivyo Nkunda kurusha, vyoza bisumba kunyiyegereza mu gukora ivyo Namubwirije, kandi umuja wanje ntahengeshanya kuguma anyiyegereza mu gukora ibikorwa-nyongera, gushika n'aho Ndamukunda, iyo Maze kumukunda rero, Nca Ndamubera ugutwi kwiwe akoresha mu kwumva, n'amaso yiwe akoresha mu kubona, n'ukuboko kwiwe akoresha mu gufata, n'ukuguru kwiwe akoresha mu kugenda; n'iyo hagize ico ansaba, ni ukuri Ndakimuha; n'iyo anyiyambaje ngo Ndamukingire, ni ukuri Ndamukingira; kandi rero sinigera ngonanwa ku kintu nshatse gukora, n'uko ngonanwa ku mutima w'umwemeramana iyo nshatse ko ahwera, kandi na we rero yanka gupfa, nanje nkanka kumushavuza"".

[صحيح] [رواه البخاري]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yaratwiganiye muri iyi nyigisho ntagatifu, ko mu vy'ukuri Imana Allah Nyenintsinzi na Nyenicubahiro Yavuze Iti: Umuntu uwo ari we wese azobangamira umutoni mu batoni banje maze akamushavuza, akamwanka, ni ukuri naramaze kumenyesha icese ko namusezeraniye indwano n'urwanko. Ijambo "waliyyu" risigura umwemeramana w'umugamburukiramana, burya umuja agenerwa umugabane w'ubutoni ku Mana Allah hisunzwe urugero rw'ukwemera n'urw'igamburukiramana agezeko. Burya nta mwislamu yiyegereza ku Mana Allah mu gukora ibikundwa n'Imana Allah kurusha, vyoza bisumba gukora ivyo Yamubwirije no kureka gukora ivyo Yamubujije, kandi umwislamu ntahengeshanya kuguma yiyegereza ku Mana Allah mu gukora ibikorwa-nyongera hamwe n'ibikorwa Yamutegetse; gushika n'aho ashika ku gukundwa n'Imana Allah. Iyo rero Imana Allah Imaze kumukunda, Ica Imutumberereza ku neza ibi bihimba bine: Imutumberereza ugutwi kwiwe ku buryo atagukoresha mu kwumva kiretse ibishimisha Imana Allah. Imutumberereza amaso yiwe ku buryo atayakoresha mu kubona kiretse birya Imana Allah Ikunda bikanayishimisha ko abiraba. Imutumberereza ukuboko kwiwe ku buryo atagukoresha kiretse mu bishimisha Imana Allah. Imutumberereza

ukuguru kwiwe ku buryo atagukoresha kiretse mu kugenda mu bishimisha Imana Allah, eka ntanagukoresha kiretse mu birimwo ineza kuri we. Hamwe n'ivyo vyose rero, iyo hagize ico asaba Imana Allah, ni ukuri Irakimuha, maze akaba umuntu yakiririrwa igisabisho; ni ukuri n'iyo yambaje Imana Allah asaba ko Imukingira, ni ukuri Imana Allah Nyenukuninahazwa Iraheza Ikamukingira Ikanamutekanisha ku bimuteye ubwoba.

https://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/66534